Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Samweli, Umukozi W'Imana Akiri Muto




Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org



©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.





Ana yari umugore mwiza, yubakanye na Elukana, nawe nyene yari umurwaneza. Bose bubaha Imana kandi bagirira abandi neza. Ariko m'ubuzima bwa Ana hari ico bari babuze. Yashaka kuvyara umwana w'umuhungu. Oh, mbega ukuntu yipfuza umwana!! Yari arindiriye, yarasenga, kandi yaguma yizeye. Ntamwana n'umwe yaza!!





Uko umwaka uheze, ana yaza mungoro y'Imana kugira ngo ayitazire. Umwaka umwe, asezeranira Imana isezerano ko Imana niyamuha akavyara umwana w'umuhungu ko azoca amuha Imana akaba uwo gukorera Imana.

3



Eli yari ashaje, umuherezi, abona ana ariko arasenga. Aca yiyumvira ko ana yoba yaborewe umuvinyu kuko iminwa yiwe yaguma ibomborana ariko ntihagire ijwi ryumvikana. Eli akankamira ana!


4



Ariko ana yiganira Eli isengesho ryiwe ryo gusaba umwana hamwe n'isezerano yasezeraniye Imana. Eli aramwishura ati: "Genda amahoro, kandi Imana ya Isirayeli iguhe ico wayisavye." Ayo majambo ya Eli aca asubizamwo ivyizigiro Ana.

5

Haheze igihe gito umunezero mwishi wuzura umutima wa Ana. Uhoraho aramwibuka, yishura isengesho ryiwe. We hamwe na Elukana bavyara umwana w'umuhungu bamwita Samweli, (risobanura ngo "Imana yishuye"). Mbega none Ana yoba azokwibuka isezerano yasezeraniye Imana?



6



Ana ahagarika kuja mungoro y'Imana k'umwaka k'umwaka. Yoba yahevye isezerano yasezeraniye Uhoraho? Oya, Ana yari arindiriye ko samweli akura kugira ngo ashobore kuba mungoro y'Imana no gufasha Eli gukorera Imana. Maze, aca amujana mungoro y'Imana.

7




Imana yubaha ukudahemuka kwa ana. Inyuma ya samweli, Imana imwongera abahungu batatu n'abakobwa babiri. Uko umwaka uheze, Ana yaza mungoro y'Imana gutazira Imana-kandi yaza azaniye samweli ikanzu nshasha yamusoneshereje.

8




Samweli siwe wenyene yafasha Eli. Eli yari afise abahungu babiri: Hofune na Finehasi, batubaha Imana mubikorwa bibi bakora kandi ntibashaka guhindura ingeso zabo mbi igihe se wabo yaba abahanuye. Eli yari kuba yashoboye kubirukana, ariko ntiyabikoze.

9



Umusi umwe mw'ijoro, Samweli yumva ijwi rimuhamagara. Samweli yibaza ko ari Eli amuhamagaye. Aca aritaba ati: "Ndi hano." Eli aramwishura ati: "Sindaguhamagaye." Ivyo biba incuro zitatu. Maze Eli aca atahura ko Imana ishaka kuvugana na Samweli.

10



Eli abarira Samweli ati "Niwasubira kumva ijwi riguhamagara, uce uvuga uti: Vuga, Uhoraho kuko umusavyi wawe ndaguteze amatwi."

11

Mugatondo, Eli ahamagara samweli. Aramubaza ati: "Uhoraho ni irihe jambo yakubariye?" Samweli amubarira vyose. Bwari ubutumwa buteye ubwoba-Imana yari igiye gusambura umuryango wa Eli kubera Hofune na Finehasi bari inkozi z'ikibi.



12

Ivyo Imana yagabishije Eli birashika. Muntambara y'abafilisitiya, abahungu babiri ba Eli, bari batwaye isandugu y'isezerano ry'Imana imbere y'ingabo z'ab'isirayeli. Abansi bafata isandugu y'isezerano kandi baca bica Hofune na Finehasi, hamwe n'ab'isirayeli beshi. Eli abimenye, aca arwa avuye kuntebe yari yicayeko, avunika izosi, kandi aca apfa uwo musi nyene.




13

Isandugu y'Imana iteza ivyago mubafilisitiya. Bayishira mungoro y'ikigirwamana cabo dagoni. Mugitondo, basanze ikigirwamana dagoni caguye cubamye. Abafilisitiya baca bavyura dagoni-ariko mugitondo gikurikira ico gishushanyo basanze casubiye kugwa hasi, kandi cari camenetse.



14



Indwara n'urupfu bitera mubafilisitiya. Kugira ngo barabe ko ari Imana ibahanye, bafata inka zibiri bazishirako umukogote baziboherako isandugu. Ariko zigumana n'inyana zazo.  bati: "Inka nizaja muri isirayeli zigasiga inyana zazo, tuzoca tumenya ko ari igikorwa c'Imana."  Maze inka zica ziragenda!!





Maze samweli, yari yamaze gukura, aca abarira ab'isirayeli ati: "Nimwagaruka k'Uhoraho n'imitima yanyu yose, azobakura mumaboko y'abafilisitiya." Abantu bumvira umuvugishwa n'Imana. Kandi ukuboko k'Uhoraho kuba kubafilisitiya imisi yose samweli yamaze.



Samweli, Umukozi W'Imana Akiri Muto

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

1 Samweli 1-7

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge."  Zaburi 119:130



# Iherezo

17 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha.  Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe.  Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe  bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima.  Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira.  Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe.  Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose.  Yohana 3:16